www.assemblee.bi
www.flickr.com/inamanshingamateka

Facebook: Inama nshingamateka
twetter:@nshingamateka

# IKIYAGO
## C'INAMA NSHINGAMATEKA

N° 23 - Nzero 2019

INAMA NSHINGAMATEKA

Gisohoka rimwe mu kwezi

REPUBULIKA Y'UBURUNDI

# Umukuru w'Inama Nshingamateka yarahaye umubonano umunyamabanga mukuru w'ishirahamwe mpuzamakungu ry'abasengera mw'idini rya isilam





Umukuru w'igihugu arifatanya n'imvukira z'intara ya Bubanza mu birori vyo kwipfurizanya umwaka mushasha.

Soma kurupapuro rwa 12



Urukurikirane rw'ibikorwa vyakozwe n'icegera ca kabiri c'Umukuru w'Inama Nshingamateka mu ntara yatowemwo ya Ruyigi.

Soma kurupapuro rwa 13



Guhinyanyura no kwemeza integuro y'ibwirizwa rijanye no gushira umukonokwa Leta y'Uburundi ku masezerano ajanye no gushiraho Ishirahamwe Mpuzamakungu ryo guhingura umuyagankuba uvuye ku mishwarara y'izuba (ASI), yashizweko igikumu kuwa 26 Ruhuhuma 2018.

Soma kurupapuro rwa 15

Palais des Congrès de Kigobe
B.P 120 Bujumbura - Burundi Tél: (+257) 22 26 70 55 / (+257) 22 26 70 07

# Abashingamateka b' ikiringo ca 2015 -2020







**Très Hon. Pascal Nyabenda**
**Umukuru w' Inama Nshingamateka**
**Bubanza-Hutu-CNDD-FDD**

**Hon. Agathon Rwasa**
**Icegera ca mbere c' Umukuru w' Inama Nshingamateka**
**Ngozi- Hutu-MizeroY'Abarundi**

**Hon. Jocky Chantal Nkurunziza**
**Icegera ca kabiri c' Umukuru w' Inama Nshingamateka**
**Ruyigi-Tutsi-CNDD-FDD**



Hon. Gloriose AHISHAKIYE
Ngozi-Hutu-CNDD-FDD



Hon. Asha KHALFAN
Kayanza -Tutsi- Mizero y'Abarundi



Hon .Fabien BANCIRYANINO
Bubanza - Tutsi- Mizero y'Abarundi



Hon. Adolphe BANYIKWA
Bujumbura - Hutu- Mizero y'Abarundi



Hon. Chantal BARAMPAMA
Bujumbura - Tutsi CNDD-FDD



Hon. Josélyne BARANYANKA
Muyinga - Tutsi-CNDD-FDD



Hon. Jacqueline BARANYIZIGIYE
Cankuzo - Hutu-CNDD-FDD



Hon. Evole P. BASHINGWA
Mairie - Hutu-CNDD-FDD



Hon. Domitien BAVAKURE
Karusi - Hutu-CNDD-FDD



Hon. Rémegie BAZIRAHOMPONYOYE
Muramvya - Hutu-CNDD-FDD



Hon. Ildephonse BIGIRINDAVYI
Muramvya - Tutsi-CNDD-FDD



Hon. Jérôme BIKORIMANA
Bururi-Hutu-CNDD-FDD



Hon. Simon BIZIMUNGU
Cibitoke - Hutu Mizero y'Abarundi



Hon. Pascal BIZUMUREMYI
Ruyigi - Hutu-Mizero y'Abarundi



Hon. Renate BUKURU
Ruyigi- Hutu-CNDD-FDD



Hon. Térence MANIRAMBONA
Gitega - Hutu-Mizero
Y'Abarundi



Hon. Sauda MBONEKO
Bujumbura - Hutu-CNDD-FDD



Hon. Noé MBONIGABA
Ruyigi-Hutu-Mizero
Y'Abarundi



Hon. François MBONIHANKUYE
Karusi - Hutu-CNDD-FDD



Hon. Adolphe MBONIMPA
Kirundo - Tutsi-CNDD-FDD



Hon. Gilbert MBONINYIBUKA
Makamba-Hutu-CNDD-FDD



Hon. Amedée MISAGO
Muyinga - Hutu
CNDD-FDD



Hon. François MPITABAVUMA
Muyinga - Hutu
CNDD-FDD



Hon. Xavière MUHIMPUNDU
Karusi - Tutsi
CNDD-FDD



Hon. Jean Bosco MUHUNGU
Rutana - Tutsi
CNDD-FDD



Hon. Léonidas MUKESHIMANA
Rumonge-Hutu
CNDD-FDD



Hon. Euphrasie MUTEZINKA
Kirundo-Tutsi
Mizero y'Abarundi



Hon. Lazare MVUYEKURE
Gitega-Hutu
CNDD-FDD



Hon. Persille MWIDOGO
Ngozi-Tutsi
CNDD-FDD



Hon. Claude NAHAYO
Ngozi-Hutu
CNDD-FDD



Hon. Gélase NDABIRABE
Kayanza-Hutu
CNDD-FDD



Hon. Zénon NDARUVUKANYE
Bujumbura - HUTU
CNDD-FDD



Hon. Canesius NDAYIMANISHA
Kayanza - Hutu
CNDD-FDD



Hon. Juvenal NDAYIRAGIJE
Rutana - Hutu
CNDD-FDD



Hon. Bernard NDAYISENGA
Mairie - Hutu-Mizero
Y'Abarundi



Hon. Emmanuel NDAYISHIMIYE
Bururi - Hutu-Mizero y'Abarundi



Hon. André NDAYIZAMBA
Bururi-Tutsi
UPRONA



Hon. Gloriose NDAYIZEYE
Gitega- Hutu
CNDD-FDD



Hon. Angele NDIHOKUBWAYO
Bururi - Tutsi
CNDD-FDD

IVYARANGUWE N'UMUKURU W'INAMA NSHINGAMATEKA

# Umukuru w'Inama Nshingamateka yarahaye umubonano umunyamabanga mukuru w'ishirahamwe mpuzamakungu ry'abasengera mw'idini rya isilam



Uwo munyamabanga mukuru w'ishirahamwe mpuzamakungu ry'abasengera mw'idini rya isilam akaba yari yatumiwe mu gihugu c'Uburundi n'umuhuza w'abarundi Edouard NDUWIMANA. Aherekejwe n'abo bagendanye Umunyamabanga mukuru w'ishirahamwe mpuzamakungu ry'aba Isilamu Sheik Abdoul Al Issa yarakiriwe n'umukuru w'inama nshingamateka Nyakubahwa cane Pascal NYABENDA kw'igenekerezo rya 15 nzero uyu mwaka turimwo wa 2019. Umuvugizi w'Inama Nshingamateka Alexis Badian NDAYIHIMBAZE yashikirije ko uwo murwi waje mu ntumbero yo kwunga ubucuti n'ugushigikirana. Uwo murwi kandi waje kugira ngo bayage ku bibazo bimwe bimwe bijanye n'intererano yaba Isilam mu bisata bitandukanye nk'umutekano n'iterambere. Sheiki Abdoul Al Issa yarashimye umubano mwiza uri hagati y'aba isilamu n'abandi batari muri iryo dini. Yabandanije amenyesha ko iryo shirahamwe rifasha abantu bo mu bihugu bitandukanye kubana mu mahoro mu butandukane bw'amadini barimwo n'ibindi.



Umunyamabanga mukuru w'ishirahamwe mpuzamakungu ry'abasengera mw'idini ryaba isilamu Abdoul Karim Al Issa yarashimye ukuntu abarundi babanye neza mu butandukane bwabo yaba muvya politike, mu vy'amadini canke uburyo babayeho kandi bikabera akarorero keza abandi. Sheik Abdoul Al Issa yaremeye ko iryo shirahamwe rizoshigikira Uburundi mu bisata bitandukanye. Yaremeye kandi gushigikira ku mpande zose Inama Nshingamateka narirya yarikeneye ibikoresho vyofasha kugira ngo akazi kagende neza.

**J Baptiste Claude NIJIMBERE**

# Ihimbazwa ry'umusi mukuru w'umwaka mushasha kuri paruwase yitiriwe umuryango mweranda yo mu kinama.

Amashengero rukristu yama ahimbaza buri mwaka umusi mukuru w'umwaka mushasha mu ntumbero yo gukengurukira Imana kuba yazigamye umuryango wayo n'ibitangaza vyose yakoze muri uwo mwaka urangiye. Ni muri iyo ntumbero Umukuru w'Inama Nshingamateka ari kumwe n'umutambukanyi wiwe yifatanije n'abakristu bo kuri paruwase yitiriwe umuryango mweranda yo mu kinama kuri uyu wa kabiri igenekerezo rya 1 nzero umwaka w' 2019 mu nkuka y'imisa yasomwe na padiri mukuru w'iyo paruwase NDORERAHO Innocent.

Patiri mukuru yarashimikiye ku butumwa Papa yashikirije abakristu kuri uwo musi mukuru w'umwaka mushasha cane cane ku gice kivuga ku mahoro aho Papa Banedicto wa 16 asaba abakristu kubanza kugira amahoro mu mitima no kuyaha abandi n'ibidukikije bidasigaye inyuma. Patiri Innocent NDORERAHO yaravuze ivyerekeye umuhezagiro nkuko vyanditswe mu gitabo co guharura ikigabane ca 6 kuva ku karongo ka 22 gushika kuka 27 aho ijambo ry'Imana risaba ko umuntu wese aba umuhezagiro kuri mugenziwe. Inyuma y'iyo nkuka y'imisa, Umukuru w'inama Nshingamateka yararonse akaryo ko kuramutsa abakristu ba paruwase yitiriwe umuryango mweranda yo



mu kinama, aranabipfuriza umwaka mwiza,arangiza ababwira ivyiza biva ku Mana yo mwijuru.

Nyakwubahwa cane umukuru w'inama nshingamateka Pascal Nyabenda yamenyesheje ko igihe cose kuba tukiriho ari ubuntu bw'Imana mugihe hari abandi benshi batakiriho. Arongera akamenyesha ko kuba ibihimba vyose bigize umuntu bikora neza bitaruhuka ari kubw'Imana nayo iyaba ari kubw'abantu kociyemwo bikaruha canke bikahagarika gukora. Aratanga akarorero k'uko umutima utera, utigera uhagarara ngo ico kirakwiye kugira ngo ushimire Imana. Nyakubahwa cane yaragarutse kw'ihimbazwa ry'uwo musi muri katolika uhuye n'umusi mpuzamakungu w'amahoro. Twese turakeneye amahoro uko biri kwose. Nkuko vyavuzwe n'umusaseredoti yasomye iyo misa, Nyakubahwa cane Pascal Nyabenda nawe nyene yaravuze ku bijanye n'umuhezagiro hagati y'abakristu, ugushigikirana, yongera abatumirira no gusengeranira. Akaba yaripfurije abakristu ko uyu mwaka woba umwaka w'igisabisho, gushigikirana no guhezagirana.

Hariho abantu bagirira ishari abandi iyo bateye imbere, mudahezagiye abandi Imana ntizobahezagira namwe. Aho kubabazwa niterambere ry'uwundi, muhezagire hanyuma nawe uzoshikirwa, umukuru w'Inama Nshingamateka yongeyeko ati musabiranire. Yabandanije ati twese hano Imana idufitiye imigambi , hari ico yateguriye umwe umwe wese. Turi mu butumwa bw'Imana, umwe wese afise ubutumwa butandukanye n'ubwo abandi, hari abapatiri, abanya poritike, abashoferi n'abandi n'abandi umwe wese nabinezererwe, ntitwari gushobora kuba abashingamateka twese, aba patiri, aba jenererare, ntukababazwe n'uwundi rero kuko



Imana yamuhamagariye kuyikorera nk'uko nyene. Korera Imana rero muri ivyo urimwo kuko ntushobora guhagarika imigambi y'Imana. Nyakubahwa cane yaboneyeho guha impanuro abakristu mu kubahamagarira kwiha ihangiro bazoshikako mu miryango yabo uhereye muntango z'umwaka wa 2019. Dutegerezwa gutanguza imigambi y'iterambere kuburyo gushika muri nzero 2020 umwimbu uzoba ushimishije. Mbere nobahanura ahubwo ko mwogira imigambi imara igihe kinini hakugira iyimara gito. Turashoboye kwiteza imbere mu miryango yacu, mu ma komine yacu no mu gihugu cacu kandi Imana izobidufasha. Mu gusozera ijambo ryiwe, Nyakubahwa Umukuru w'Inama Nshingamateka yarasavye patiri mukuru wa paruwase Kinama kuza aramumenyesha igihe cose imigambi paruwase iba iriko irarangurwa kugira ngo azoze arabashigikira.

**Providence NIKIZA**

## Umukuru w'inama Nshingamateka yifadikanije n'abakirisu bo kuri paruwase yitiriwe Isamwa ata gicumuro ry'i Gihanga

Imiliyoni zibiri z'amafaranga y'amarundi nizo zatanzwe n'Umukuru *w'Inama* nshingamateka mu ntumbero yo guterera uburyo bwo kugura imodoka izofasha kurangura ibikorwa vya paruwase yitiriwe isamwa ata gicumuro ry'i Gihanga.



Nyakubahwa cane Pascal NYABENDA akaba yavyemeye mu gihe hariko haherezwa inkuka ya mbere y'imisa yabaye kuwa mungu igenekerezo rya 20 nzero umwaka w'2019. Mu gukora ico gikorwa, Nyakubahwa cane yipfuje gusangira igisabiso n'abakirisu bo muri paruwase ya Muzinda asanzwe avukamwo yamuka muri paruwase Gihanga imbere yuko bayifatanya na Muzinda. Kuruwo w'imana utangurira igihe gisanzwe c'amasabamana inyuma y'ihimbazwa ry'ibatisimu ya Yezu Kristu, Patiri mukuru wa paruwase Gihanga yarihanije abakirisu kudebukirwa mu bijanye n' ukwemera murico kiringo. Yishimikije inkuru nziza yuwo musi yavuga ubugeni bw'i kana mu Bugalile, Patiri Francois NIZIGIYIMANA mu nsiguro yiwe yarashimangiye ku bantu batatu.

Ubwa mbere kuri Bikira Mariya kubera agatima k'ubuvyeyi n'inema afise muriwe, yatewe amakenga n'ukubona umuvinyu wo kuzimana abashitsi waheze bigaheza bigatuma ibirori vy'urwo rubanza vyononekara, nikwo kwongorera yezu amwiganira ibibaye, ariko akaguma yibaza igituma ashikiriza ayo makenga yiwe Yezu mugihe nawe ari umutumire nk'abandi. Ivyo yabikora kubera yaramufitiye icizere.

Ati bikira Mariya niwe yabaye uwa mbere mu kwizera Yezu Kristu nico gituma afise ikibanza gikomeye cane muri katorika. Ngo bikira Mariya niwe adusabira. Nah' abakirisu rero kumutumira mu ngo zabo kuko nakare Yezu Kristu ku musalaba yaramubaragije.

Umusaseredoti yarashimitse avuga ko abakristu babushitse bategerezwa kwereka abandi akarorero keza. Yongera ababwira ko aho ubukristu bushimikiye niho haboneka n'ibitangaro.

Mu kurangiza Patiri mukuru wa paruwase ya Gihanga yavuze ko Yezu yerekanye imbabazi ziwe aranerekana ubukomezi buvuye ku Mana kuko aho Yezu aganje harangwa akanyamuneza. Yarabandanije avuga ko umuvinyu utuma imitima y'abantu iryoherwa kandi ko Yezu atari gutanga ibituma amagara y'abantu atosekara. Umuvinyu ubwawo si mubi kurenza urugero nico ari igicumuro.

Arongera akavuga ko Yezu ari hagati y'abamwemera.

Patiri ati: « ni igiki abakirisu bakwiye gukora? Ngo twari dukwiye kurangwa nukwemera kuko ari ingabire. Ingabirano ni nyinshi kandi zikaba ubwoko bwinshi ariko gikuru ni ukumenya ingabirano umwe wese afise.

Kurivyo, Umukuru w'Inama Nshingamateka yaripfurije umwe wese kunezererwa ivyo afise. Akaba yaribukije ko Imana itanga

ingabire ku bantu uko ibishaka. Iyo mugenzawe yahezagiwe ntukagire ishari. Iyo umuntu ateye imbere batangura kuvuga ko yabikuye mu busuma canke ubikura mu kuzimu. Yongera akavuga ko iciza ari ugufashanya mu migwi mitomito yibisabisho. aranababwira ko hejuru y'igisabisho umwe wese yokwiyungunganya mutwo aronka agafasha ba ntanahonikora. Nyakubahwa cane pascal Nyabenda yaranashimishijwe cane n'imirima iteyemwo ibigori yerekana ko bizokwimbuka cane


**Christine NAHIMANA**



## Umukuru w'igihugu arifatanya n'imvukira z'intara ya Bubanza mu birori vyo kwipfurizanya umwaka mushasha.

Ku munsi wa gatandatu, igenekerezo rya 19 Nzero 2019, akamwemwe niko kibonekeza mu mvukira z'intara ya Bubanza aho bari bakoraniye kuri ECOFO ya GihangaII bahagatiye Umukuru w'Inama Nshingamateka kugira bipfurizanye umwaka mushasha w'2019. Imvukira ziri mu nzego zitandukanye, guhera ku bakuru b'imitumba gushika kuri bitavye iryo sango.

Mw'ijambo ry'ikaze, Buramatari w'intara yaboneyeho gushikiriza ivyarangutse mu mwaka uheze n'imigambi ya kazoza, ikomine kw'ikomine. Térence Nobus BUTOYI yasozereye atanga agashimwe ku bitanze mu gikorwa co kwubaka ingoro Buramatari akoreramwo imirimo yiwe. Kw'isonga haza Umukuru w'igihugu, Nyenicubahiro



Buramatari w'intara ya Bubanza, hatibagiwe, abatowe, abagenywe mu mabanga akomeye, intwazangabo mu gisirikare no mu giporisi, abikorera utwabo n'abakozi ba Leta batandukanye, bose bari

Petero NKURUNZIZA, Umukuru w'Inama Nshingamateka, Nyakubahwa Pascal NYABENDA n'Umushikiranganji w'Amasoko Ntanganguvu, ubutare n'agataka, Côme MANIRAKIZA. Kuri urwo rutonde harimwo kandi Umushingamateka Gabriel NTISEZERANA, Jacques KENESE n'Ishirahamwe SOGEA SATOM.

Ku ruhande rwiwe, Umukuru w'Inama Nshingamateka yashimikiye, mw'ijambo ryiwe, ku ngingo zitatu; ni ukuvuga intumbero y'icabakoranije, kwitsa Buramatari n'ugutanga impanuro. Ati biza vyarabaye umugenzo. Mu ntango y'umwaka, imvukira z'intara ya Bubanza zirahura kugira zifurizanye umwaka mushasha. Akaba yarasavye umwe wese ko yohindukira akaraba mugenzi we amaso mu yandi mu kumwipfuriza umwaka muhire. Umukuru w'Inama Nshingamateka yarasobanuye kandi uruhara rwa Nyenicubahiro Umukuru w'igihugu muri iyo ntara. Ati yaranakeje imvukira zo ziyubakiye iyo ngoro mu kiringo c'ibikorwa rusangi. Ngo ni naho yaciye afata icemezo co kuzoza kuyugurura icese. Ico yiyemeje ngo yaragikoze, mugabo ko vyahuriranye n'akazi kenshi, ntiyahatevye yaciye afatirwa n'ayandi mabanga. Akaganuke yari

gushikiriza ngo yaciye akarindiriza umunsi wo kwifurizanya umwaka




muhire. Ako kaganuka kagizwe n'inka zitatu ngo kaza kubonekera mw'isahani nk'imfungurwa. Agarutse kuvyaranguwe mu mwaka w'2018, Nyakubahwa Pascal NYABENDA yashimangiye ku migambi mikuru mikuru. Iyo nayo ni kwubaka ikibuga c'inkino ku mugwa mukuru w'intara; gukangurira abenegihugu kugira bagire rwabo umugambi wo gushinga igisata ca Kaminuza y'Uburundi cerekeye uguharura kizoshingwa i Musigati; gukwiragiza amashami y'agasandugu ko kuguranana bise TUJANE, mu masoko ya kijambere ariko arubakwa mu makomine yose y'intara; gushinga ishirahamwe ry'imvukira z'intara ya Bubanza mu ntumbero yuko ricika koperative hamwe rero n'ugukurikiranira hafi ibikorwa vy'abagiraneza bo mu ma ONG bari muri ako karere. Kuri ivyo, yaboneyeho kubamenyesha ko hari umugambi uzotwara uburyo bugera ku miriyoni 75 z'amadorari y'Abanyamerika uzorangurirwa mu kiyaya c'Imbo ukazoba kandi ugamije guteza imbere ibiterwa vy'umuceri n'ibigori, hamwe n'ubworozi bw'inka.

Umukuru w'Inama Nshingamateka yahanuye kandi gushira imbere



ibihuza abantu hakwibanda kubibatandukanya. Vyongeye, umuntu yonezerwa iyo hari umuvukantara ateye intambwe. Imvukira zihamagariwe kandi kwitanga kugira iyo migambi ije mu ngiro. Gifurwe ngo ubu birazwi ko ari itongo rya Leta, ritegekanijwe kwakira amakoperative, amenshi muriyo akazoba yegukira intara ya Bubanza. Vyongeye ngo hariho n'umugambi wo kunagura iraro ry'ibitungwa ryo kw'i Randa. Imvukira ngo zokwitegurira rero iyo migambi yompi.

Abavukantara barasangiye akarahuri kugira bigine umwaka mushasha. Iruhande y'ivyari bitegekanijwe, hari abagiraneza babiri baryoheje ibirori mu kwongera urukanywa, umwe wese ku gatwe kiwe.

Mwomenya ko Umukuru w'Inama Nshingamateka imbere y'ivyo birori yabanje kwugurura icese inyubakwa zibiri z'abakuru b'imitumba, i Nyeshanga na Murira mu igisagara ca kabiri.

**Christine NAHIMANA**

# Umukuru w'Inama Nshingamateka yararanguriye ibikorwa vy'iterambere rusangi i Mugongo-Manga.

Ku musi wa gatandatu igenekerezo rya 12 Nzero 2019, Umukuru w'Inama Nshingamateka Nyakwubahwa cane Pascal NYABENDA yari yishikiye ku mugwa mukuru wa komine Mugongo-Manga muri provensi Bujumbura aho yifadikanije n'abenegihugu mu bikorwa vyo kwubaka inyubakwa izoba ari ibiro vya komine.

Iyo nyubakwa ikazoba igeretse kabiri nk'uko Nyakwubahwa Umukuru w'Inama Nshingamateka babimweretse ku gicapo. Uwo musi ibikorwa bikaba vyari ivyo gutegura ibeto yo gusiriba mu nzu yo hasi kugira ngo bazoce baduza igisenge ca mbere. Abenegihugu bakaba bari baje ari benshi kwitaba ivyo bikorwa.

Iciyumviro co kwubaka ivyo biro vya komine kikaba cavuye mu

benegihugu n'imvukira mu gihe inyubakwa komine yari isanzwe ikoreramwo yari ishaje cane kandi yaga, bikaba vyari nkenegwa cane ko hubakwa iyindi. Musitanteri wa komine Mugongo-Manga yamenyesheje ko ibikorwa vyose bizotwara amafaranga agera ku miliyoni 650 z'amarundi, niko gusaba rero intererano y'uwo wese abishoboye.




Nayo umuhanuzi mukuru wa Buramatari w'intara ya Bujumbura yari yaje amuserukiye, yamenyesheje ko amakomine yose agize intara ari ku kivi mu bikorwa vy'iterambere, niko gushimira Nyakwubahwa Umukuru w'Inama Nshingamateka adahengeshanya kubagendera kugira ngo abatere intege. Ubu ngo igikorwa bariko barakora cane n'icerekeye kwambika imisozi mu gutera ibiti biciye muri wa mugambi **Ewe Burundi urambaye**, na cane cane ko intara ya Bujumbura igizwe ahanini n'imisozi ihanamye, ivyo bikazofasha cane mu kurinda inkukura.



Mw'ijambo yashikirije, Umukuru w'Inama Nshingamateka Nyakwubahwa Pascal NYABENDA, yabanje gushikiriza abari aho ukungene Inama Nshingamateka isanzwe ikora, ingene bigenda mu kwemeza amategeko hamwe n'ingene abashingamateka bategerewa guserukira neza abenegihugu babatoye. Akaba yaratumiye abajejwe intwaro bo hasi hamwe n'abenegihugu baserukira abandi ko bokwitunganya igihe kimwe bagashika ku cicaro c'Inama Nshingamateka kugira birabire ingene ibikorwa bigenda mu nama ya bose. Agira ati abashingamateka turi ngaha ku bwanyu, dutegerezwa gutora amabwirizwa yorohereza abenegihugu, ikindi naco ngo abashingamateka bategerezwa kwama bagendera abenegihugu kugira bababaze ibibabakiye bongere bifatanye nabo mu bikorwa vy'iterambere.

Nyakwubahwa Pascal NYABENDA yarashimiye kandi abenegihugu bo mu ntara ya Bujumbura ku kungene bitaho ibikorwa vy'iterambere, ati « ntivyamye uku ngaha iwanyu kuko hari abari barabashizemwo inyigisho mbi zo kwanka ibikorwa rusangi bavuga ngo vyoba ari ivyo umugambwe uri ku butegetsi, ariko ubu mwarajijutse muribonera akamaro kavyo mw'iterambere ry'abenegihugu bose. Ati iyo twubatse ishure, nta wuzoza akubaza umugambwe urimwo kugira ngo aguhere ikibanza umwana, ishure ryakira bose ata wuvuyemwo. »

Nyakwubahwa Umukuru w'Inama Nshingamateka akaba kandi yarasavye abenegihugu kuja barakora ibikorwa rusangi mu gusibura amabarabara yasivye batarinze kurindira imfashanyo ya Leta. Ati « nk'iyo imvura yaguye ikonona ibice bimwe bimwe vy'ibarabara ntimwoca mwicara ngo murindiriye Leta, ari ibikorwa bitobito, murashobora kuvyikorera kuko n'ubundi iryo barabara nimwebwe mukenera cane kurikoresha. »

Akaba yarabasavye kuguma bateramiye amahoro n'umutekano, ati ivyabaye mu mwaka uheze aho hari abapfuye bapfa amatongo bibe umuziro ngo birababaje kubona wica mwenewanyu umuhora itongo ari naryo rizoteba rikaguhamba ni witaba Imana. Iyo mufise ivyo mupfa, ni mwiture ubutungane buzobatunganiriza nico

bubereyeho. Akaba yasavye abajejwe intwaro kwama bariko baganira n'abenegihugu, hari ingorane ihari bakabishikiriza hakiri kare bitararenga inkombe.
Mu guheraheza, Nyakwubahwa Umukuru w'Inama Nshingamateka akaba yaciye abaterera amafaranga y'amarundi umuliyoni yo kwongerereza mu guhemba abubatsi, hamwe n'imifuko 50 y'isima, aca abemerera ko umusi bazoduza igisenge ca mbere bazomubwire azoze kubashigikira bimwe biboneka.

**Arlette AKIMANA**

# Umukuru w'Inama Nshingamateka yararanguriye ibikorwa rusangi i Murengeza.

Ku musi wa gatanu igenekerezo rya 11 Nzero 2019, Nyakwubahwa Umukuru w'Inama Nshingamateka yaragendeye zone ya Murengeza iri muri komine Mpanda mu ntara ya Bubanza. Akaba yarifadikanije n'abenegihugu bo muri iyo zone hamwe n'abanywanyi b'ishirahamwe Dukunde Igihugu Twiteze Imbere mu bikorwa vyo gusibura ibarabara rya Mpanda-Murengeza. Ivyo bikorwa bikaba vyari ivyo kwuzuza ivu rya kariyeri ibinogo vyagiye birimburuka muri iryo barabara kubera imvura.
Musitanteri wa komine Mpanda Frédéric CONGERA, mw'ijambo ry'ikaze, yarashimiye Nyakwubahwa Umukuru w'Inama Nshingamateka ku ntererano yabahaye yo kurungika imodoka y'ibeni iseha ikariyeri ryo gufurira ivyo binogo. Niko kumenyesha ko komine itekanye eka mbere n'abenegihugu bakaba barahimbaje neza imisi mikuru irangiza umwaka. Eka ngo n'ikirere cagenze neza mu gihe c'agatasi, bakaba biteze umwimbu ushimishije. Nayo Buramatari w'intara ya Bubanza Térence Nobus BUTOYI, yamenyesheje ko abajejwe intwaro bari muvyo gushira mu ngiro umugambi wa Leta Ewe Burundi Urambaye mu gutera ibiti ku misozi yose itambaye. Mw'ijambo yashikirije, Umukuru w'Inama Nshingamateka Nyakwubahwa Pascal NYABENDA, yarashimiye abanywanyi b'ishirahamwe Dukunde Igihugu Twiteze Imbere bari mu bikorwa vyo gusibura amabarabara ahuza amazone, yari yarasivye, batarinze kurindira intererano ya Leta. Ati hari udukorwa dutoduto two kubungabunga amabarabara mushobora gukora mu bikorwa rusangi, nko gusibura imiserege, mutarinze kurindira ca gisata ca Leta kijejwe gutunganya amabarabara, kidashobora kuronkera rimwe uburyo bwo gukora amabarabara yose aba yononekaye. Akaba yasavye abenegihugu gufatira ku karorero k'iryo shirahamwe Yisunze izina ry'iryo shirahamwe. Dukunde Igihugu Twiteze Imbere, Nyakwubahwa Umukuru w'Inama Nshingamateka yavuze ko ugukunda igihugu atari kwama umuntu agenda arabivuga, ariko bitegerezwa kubonekera mu bikorwa vy'iterambere dukora. Ivyo navyo ni nko gukora ibikorwa rusangi, kubungabunga amahoro n'umutekano hamwe no kwubaha inzego zirongoye igihugu.



Nyakwubahwa Umukuru w'Inama Nshingamateka yarashimye ukungene abenegihugu bo mu ntara ya Bubanza bariko barijukira gukorera mu makoperative, ayo nayo agaca aja kubikisha amafaranga yayo mu gasandugu ko kuguranana Tujane kashinzwe n'imvukira z'intara. Ati ivyo nivyo biteza imbere intara. Akaba yasavye imiryango ko yoja iratunganya imigambi y'iterambere yo kurangura, bagategura kazoza, bagaheza uko umwaka utashe, bakirimbura kugira babone aho bagejeje ikivi, ivyo navyo birateza imbere imiryango. Inyuma y'ivyo bikorwa rusangi, Nyakwubahwa Umukuru w'Inama Nshingamateka akaba yaciye aja ku mugwa mukuru w'iyo zone ya Murengeza aho yatanze imfashanyo y'umuceri n'amasuka ku banywanyi 250 b'ishirahamwe Dukunde Igihugu Twiteze Imbere.

**Arlette AKIMANA**

# Umukuru w'Inama Nshingamateka yaragendeye inyubakwa rusangi zitandukanye z'i Murengeza.

Umukuru w'Inama Nshingamateka Nyakwubahwa Pascal NYABENDA yabanje kugendera ibitaro vy'i Murengeza, ku musi wa gatanu igenekerezo rya 11 Nzero 2019, ivyo bitaro bikaba ari ivy'abikorera utwabo vyubatwe n'umugwizatunga.

Akaba yaragendeye ibisata bitandukanye bigize ivyo bitaro, uri aho bakirira indembe, aho bapimira indwara, aho bakirira abavyeyi, aho badandariza imiti, aho abaganga babonanira n'abarwayi n'ahandi.

Bikaba vyibonekeza ko ivyo bitaro biheruka kwugurugwa vuba bigikeneye ibindi bikoresho vyoza bisahiriza ibisanzwe bihari. Nyakwubahwa Pascal NYABENDA yamenyeshejeko ivyo bitaro bije kuzanira akarusho gakomeye abenegihugu bo ngaho i Murengeza kuko ubu baronka aho bivuriza hafi batarinze kugenda ingendo ndende.

Akaba yarashimye ico ciyumviro c'uwo mugwizatunga yashinze ivyo bitaro niko guca asaba n'abandi kumurabirako akarorero.




Avuye ngaho, Nyakwubahwa Umukuru w'Inama Nshingamateka yaciye aja kugendera ishure ry'imyuga ryo ku Mpanda, Ecole Polytechnique du Moment. Akaba yari kumwe n'abarundi basanzwe baba mu gihugu ca Canada bari mw'ishirahamwe Fondation Canada- Québec-Burundi. Abo nabo bakaba bari baje kugendera iryo shure kugira birabire ingene ibitabo baronkeje iryo shure biriko birakoreshwa. Iryo shirahamwe rikaba rihurikiyemwo abarundi baba mu gihugu ca Canada bihaye guteza imbere igihugu cabo mu gufasha mu bijanye n'ubumenyi mu gutanga cane cane ibitabo ku mashure hamwe no mu bijanye n'inkino no kwinonora imitsi.

Uwurongoye iryo shirahamwe Evariste NDABAGOYE akaba yariboneye ko ivyo bitabo bifashwe neza kandi bifitiye akamaro kanini abanyeshure babisoma. Akaba yaremeye ko bagiye kurungika vuba n'ibindi bitabo hamwe mbere n'amamashini nyabwonko. Yavuze kandi ko bafise n'umugambi wo kwubaka inzu y'isomero ry'ibitabo ku rwego rw'igihugu bibliothèque national bagasaba Leta ko yobaronsa ikibanza. Ngo hari abarundi iyo baje mu buruhuko bava mu mahanga, baza bazanye impuzu zabo nyinshi n'ibindi bintu vy'agaciro kugira biyerekane ko bateye imbere, aho kubura kuzana ibintu biza guteza imbere igihugu cabo. Yongera avuga ko naho wotekera igitabo kimwe gusa ukagiha umunyeshure ico kitobura ico gifasha.

**Arlette AKIMANA**

## IVYARANGUWE N'ICEGERA CA KABIRI

# Urukurikirane rw'ibikorwa vyakozwe n'icegera ca kabiri c'Umukuru w'Inama Nshingamateka mu ntara yatowemwo ya Ruyigi.

Mu kubandanya gushira mu ngiro umugambi wa leta wo gutera ibiti bise « Ewe Burundi urambaye », Icegera ca kabiri c'Umukuru w'Inama Nshingamateka yarafashije gutera ibiti mu ma komine ya Butezi na Ruyigi mu ntara ya Ruyigi. Umushingamateka Jocky Chantal Nkurunziza yaragendeye komine Butezi kuwa gatanu igenekerezo rya 04 nzero umwaka w' 2019 mu ntumbero yo gutera ibiti i Nyakavi ku mutumba wa Rutegama muri zone ya Bwagiriza. Nkuwatanguje umugambi wo gutera ibiti muri iyo komine ya Butezi, Umushingamateka Jocky Chantal Nkurunziza yarashimangiye ku kamaro k'igiti mu buzima bwa misi yose. Uretse ko igiti gikingira ibidukikije, kiratuma kandi imvura igwa, kigafasha mu guteka imfungurwa, mu kwubaka inzu no mu gukora no mu kubaza ibikoresho nkenerwa mu buzima bwa misi yose.Uwo



mushingamateka yarahamagariye kandi abenegihugu kubungabunga neza ivyo biti na cane cane kubirinda imiriro ya nyakanga.

Ku wa gatandatu igenekerezo rya 05 nzero umwaka w' 2019, icegera ca kabiri c'Umukuru w'inama nshingamateka yarifadikanije n'abenegihugu bo muri komine ya Ruyigi, muri bo hakaba harimwo urwaruka rwo mu muhari w'aba scout kugira ngo batere ibiti ku musozi wa Mpungwe uri mu gisagara ca Ruyigi. Ibiti 66.000 akaba arivyo vyatewe kuri uwo musozi. Mw'ijambo ryiwe, umushingamateka Jocky Chantal NKURUNZIZA yaribukije ko Mpungwe ari umusozi ufise ico wisangije mu ntara ya Ruyigi.Muvyo yibuka kera, uwo musozi wari usharijwe n'ibiti bitandukanye.Ariko kubera ibihe vy'intambara igihugu caciyemwo, n' imiriro ya nyakanga vyatumye Mpungwe itambara.Yaciye agirako ahamagarira abenegihugu kuvavanura n'ingeso yo guturira amashamba.

**Christine NAHIMANA**

## Guhinyanyura no kwemeza integuro y'ibwirizwa rijanye no gushira umukono kwa Leta y'Uburundi ku masezerano ajanye no gushiraho Ishirahamwe Mpuzamakungu ryo guhingura umuyagankuba uvuye ku mishwarara y'izuba (ASI), yashizweko igikumu kuwa 26 Ruhuhuma 2018.

Kuwa 4 Nzero 2019, Abashingamateka barahinyanyuye bongera baratora ijana kw'ijana integuro y'ibwirizwa rijanye no gushira umukono kwa Leta y'Uburundi ku masezerano ajanye no gushiraho Ishirahamwe Mpuzamakungu ryo guhingura umuyagankuba uvuye ku mishwarara y'izuba, yashizweko igikumu kuwa 26 Ruhuhuma 2018.

Umushikiranganji ajejwe amasoko ntanganguvu, ubutare n'agataka Côme Manirakiza yarasiguye mu mvo n'imvano ko Ishirahamwe Mpuzamakungu ryo guhingura umuyagankuba uvuye ku mishwarara y'izuba (ASI) ari iciyumviro catanzwe n'Ibihugu vy'Ubuhindi n'Ubufaransa kuwa 30 Munyonyo 2015 mu ntumbero y'ivyo bita COP21, kugira bashobore kuraba uburyo hoba ihanahana ry'umuyagankuba uvuye ku mishwarara y'izuba hagati y'ibihugu 121 vyo kw'isi bisanzwe bifise izuba ryinshi ryaka.

Nk'uko umushikiranganji Côme Manirakiza yongeye kumenyesha, ibihugu bigize ishirahamwe ASI vyariyemeje kunganisha yaba ibijanye n'uburyo bw'amafaranga ico gikorwa kizotwara yaba ubuhinga bw'uguhingura kugira ngo bashobore gushiraho isoko rusangi. Ivyo navyo bikazofasha kugabanya ibiciro, gukurikirana ibijanye no kwongereza no gukomeza akanovera, kugerageza kugira i bishoboka kugira hahingurwe ibikenewe mu buzima bwa misi yose hamwe rero no kunagura ibijanye n'ubuhinga. Yaramenyesheje kandi

ko uko gukorera hamwe kuzotuma inzizitizi zahora zizingamika abakorera muri ico gisata yaba Leta canke abikorera utwabo zivaho mu kunagura ibijanye n'iryo soko hakongera hagashirwaho amategeko yorohereza bose, abakorera muri ico gisata bagashobora kurangura neza imigambi yabo. Ku vyerekeye imigambi yashizwe imbere n'ibihugu, Umushikiranganji ajejwe amasoko ntanganguvu, ubutare n'agatakа yarahimbawe ko Ishirahamwe ASI ryashoboye gushima no gutora mu yindi migambi, imigambi itatu yatanzwe n'Uburundi. Iyo nayo ikaba ari gukwiragiza hose (décentraliser) uburyo bwo gutanga umuyagankuba uvuye ku mishwarara y'izuba : gushiraho ku nkengera z'amabarabara amatara yatswa n'umuyagankuba uvuye ku mishwarara y'izuba, Gushiraho imihora mito mito y'umuyagankuba kugira ngo bashobore kuronsa umuyagankuba abari mu gihugu hagati hamwe n'ababa mu birwati, gushiraho ibizana umuyagankuba uvuye ku mishwarara y'izuba hejuru ku mabati y'inyubakwa za leta nk'amavuriro, ibitaro canke amashure yisumbuye . Akaba yariyemeje ko Ubushikiranganji arongoye buzokwitwararika gukurikiranira hafi ibijanye n'ishirwa mu ngiro ry'iyo migambi .

Abagize umurwi wamaho mu nama nshingamateka ujejwe ivy'intwaro ibereye no gushira mu minwe y'abikorera utwabo amashirahamwe ya Leta waribukije ko ishirahamwe ASI rizokorera mu Burundi mu gihe hari amashirahamwe y'abikorera utwabo asanzwe azwi kandi ashigikiwe na Leta ko akorera muri ico gisata co guhingura umuyagankuba uvuye ku mishwarara y'izuba. Warabajije rero uko bizogenda canke uko Leta izobigenza mu gukurikirana ibikorwa vya ASI n'ivyayo mashirahamwe asanzwe ariko arakorera muri ico gisata. Umushikiranganji w'amasoko ntanganguvu, ubutare n'agataka yarahumurije avuga ko ASI ahubwo izoba ije gusahiriza igikorwa camaze gutanguzwa n'ayo mashirahamwe yaba aya leta canke y'abikorera utwabo. Yarongeye arashimangira ko ASI izoba ije kwagura isoko n'ukurwiza amahirwe ku bijanye n'imigambi iba yatanzwe n'Uburundi. Ikazotanga akaryo ko kuronka abafasha gutanga uburyo bwo kurangura imigambi. Umushikiranganji Côme Manirakiza yarakebuye ko ASI atari ishirahamwe rijejwe kudandaza umuyagankuba uvuye ku mishwarara y'izuba canke ibikoresho bijanye. Ngo ahubwo ni iciyumviro cashize hamwe abo vyega bose basanzwe bakorera muri ico gisata c'umuyagankuba uvuye ku mishwarara y'izuba kugira ngo bakorere hamwe. Umushikiranganji Côme yaramenyesheje ko hari ingingo zafashwe kugira amatara yatswa n'imishwarara y'izuba ari ku nkengera z'amabarabara akingirwe. Izo nazo zikaba ari izi : Gushiramwo abo vyega bose ku bijanye n'umutekano w'igihugu abo nabo ni abajejwe intwaro, abajejwe umutekano n'abanyagihugu kugira ngo bose bafashe gucungera ibikoresho vy'akamaro rusangi.



Gushiraho ubuhinga butuma ibikoresho bitanga uwo muyagankuba bidasamburwa canke birandurwe vyoroshe ;
Gushira ubuhinga bwo gukingira ivyo bikoresho eka n'abantu bahita;
Guhana vy'akarorero abagendesha imiduga, amapikipiki canke amakinga bogonga igiti c'amatara yo ku nkengera y'amabarabara mu kugisubiriza hamwe rero no mu kubatesha mu kubarihisha indishi y'akababaro.

**Christine NAHIMANA**

## Guhinyanyura no kwemeza integuro zibiri z'amategeko.

Ibikorwa bitandukanye vy'iterambere birategekanijwe ku rutonde rw'ibizokorwa igihe hazoba hariko harasanurwa ibarabara RN3 iryo bita irya Rumonge, agace gahuza Rumonge na Nyanza-Lac. Ivyo vyavuzwe n'Umushikiranganji ajejwe gutwara abantu n'ibintu, ibikorwa vya Leta no gutunganya ibisagara, hari kuwa 10 Nzero 2019 aho yariko ashikiriza abashingamateka imvo n'imvano y'integuro zibiri z'amategeko. Umushikiranganji Jean Bosco NTUNZWENIMANA yaramenyesheje ko hazokwubakwa mu Rumonge ibarabara ry'amabuye ku birometero bitandatu, amabombo atanu y'amazi meza ku nkengera y'ibarabara n'amasoko ya kijambere agera kuri atatu. Uwo mushikiranganji akaba yari yaje gusigurira abashingamateka integuro zibiri z'amategeko. Izo nteguro z'amategeko rimwe rijanye no gushira igikumu kwa Leta y'Uburundi ku masezerano yo

kuguranana nomero n°12/732 hagati ya Leta y'Uburundi n'Ikigega ca Arabie Saoudite kijejwe iterambere, ku bijanye n'umugambi wo kwubaka ibarabara RN3 Bujumbura - Nyanza Lac, agace gahuza Rumonge na Nyanza Lac, ayo masezerano akaba yarasinywe kw'igenekerezo rya 26 Munyonyo 2018. Iyindi nteguro y'amategeko ijanye no gushira igikumu kwa Leta y'Uburundi kumasezerano yo kuguranana yo kuwa 26 munyonyo 2018 hagati ya Leta y'Uburundi n'Ikigega c'Abarabu kijejwe iterambere ry'Ubutunzi muri Afrika ku bijanye n'umugambi wo kwubaka ibarabara RN 3 Bujumbura - Nyanza Lac, agace gahuza Rumonge na Nyanza Lac nayo akaba yashizweko igikumu i Bujumbura kuwa 26 Munyonyo 2018. Nk'uko vyamenyeshejwe n'Umushikiranganji Jean Bosco NTUNZWENIMANA, iryo barabara rifise uburebure bungana ibirometero 52 rikazohuza imirwa mikuru y'amakomine ya Rumonge na Nyanza Lac, rikazotwara uburyo bungana n'imiriyaridi 119 y'amahera y'amarundi ni ukuvuga imiriyoni 68 z'amadolari y'abanyamerika aho amakori atahuruwemwo. Uwo mushikiranganji yarashimye ko uretse ikigega ca Koweit kijejwe iterambere ry'ubutunzi bw'abarabu n'ikigega ca OPEP kijejwe iterambere mpuzamakungu (OFID), ibanki y'Abarabu rijejwe iterambere ry'ubutunzi muri Afrika hamwe n'Ikigega ca Arabie Saoudite kijejwe iterambere nabo nyene bashize mu ngiro ivyo bari bemeye mu gushira igikumu ku masezerano yo kuguranana yo kuwa 26 Munyonyo y'imiriyoni 15 z'amadolari y'abanyamerica umwe wese.

Ibikorwa vyitezwe kuzotangura mu kwezi kwa gatandatu 2020 mu gihe ibikorwa vyitezwe kuzorangira no gushikiriza ibikorwa vyuwo mugambi mu kwezi kwa gatandatu 2023.

Ibarabara RN 3 rica munsi y'imitumba igizwe n'amabuye afusweko n'akavu n'amazi anyika mu kuzimu bivuye ku mvura ituma imisozi isiduka hamwe rero n'ibibuye binini binini biza



bizananye.Ivyo bikaba vyashikirijwe n'umurwi wamaho ujejwe politike, imigenderanire n'ibindi bihugu n'ibijanye n'ishirahamwe rya Afrika y'Ubuseruko, wize wongera urasoma integuro ya mbere y'amategeko yazanywe n'Umushikiranganji. Uwo murwi wamaho warashatse kandi kumenya ico bategekanije nk'inyishu mu gihe hoba iyindi myuzurira mu ntumbero yo gukoresha neza ikiyaga Tanganyika.

Umushikiranganji Jean Bosco NTUNZWENIMANA yarishuye ko mu mugambi wo gutwara abantu n'ibintu biciye mu kiyaga Tanganyika, bifashijwemwo na corridor central, harateguwe itangwa ry'amato bita ferry- boats kugirango batorere inyishu ingorane z'ukwiyunguruza muri rusangi, na cane cane mu gihe ibarabara RN3 ryoba ryugaye. Ayo mato rero azoshobora kugabanya igiciro co kwiyunguruza, akizera kandi ko bishoboka kugabanura ibiciro vy'ibidandazwa.

Umurwi wamaho ujejwe ubutungane n'agateka ka zina muntu nawo nyene warasomye wongera uriga integuro ya kabiri y'amategeko, waravuze rero ko ukurondera uburyo bwo gusubiramwo ibararabara RN 3 vyatewe nuko bashaka kurisubiza itoto. Uwo murwi rero urabaza umushikiranganji ryari amabarabara yo mu gisagara azoshikirwa na cane cane ko hariho ayamaze gusambuka.

Umushikiranganji Jean Bosco NTUNZWENIMANA mu kwishura yaramenyesheje ko hasanzwe hari ikibazo hagati y'ubushikiranganji arongoye hamwe n'ubushikiranganji bw'intwaro yo hagati mu gihugu iterambere ry'Amakomine no kwigisha inyigisho zo gukunda igihugu kuko ari bwo busanzwe busanura amabarabara yo mu gisagara biciye mu burongozi bw'igisagara (mairie) busanzwe butwara ishirahamwe SETEMU. Nk'uko yabandanije ashikiriza, mu nyuma vyarabaye ngombwa ko ubushikiranganji arongoye bugira ico bukoze mu gufurira ibinogo vyari vyarwiriye mu ma barabara aca mu gisagara nubwo ngo ivyo bidasanzwe biri mu vyo basanzwe bajejwe. Ariko rero ngo ubwo bushikiranganji ngo burajejwe gusanura amabarabara aja mu ntara aca mu gisagara.

Inama ya bose y'abashingamateka yarasavye uwo mushikiranganji gutandukanya amabarabara aja mu ntara n'amabarabara ari mu gisagara ca Bujumbura. Yarabemereye ko agiye kubishikiriza Inama Nshikiranganji kugira bagire ico babivugako. Abashingamateka

barerekanye ko ukudakomeza inkengera z'ibarabara ari yo ntandaro yo gusambura ibarabara niho guca basaba yuko mu kwubaka ibarabara boza barakomeza inkengera zaryo. Uwo mushikiranganji akaba yaremeye ko nico agiye kukivugana n'abasanzwe bafasha gutanga uburyo.

**Christine NAHIMANA**

# Ibibazo vyunganirwa bishikirizwa Umushikiranganji w'amashure matomato, ayisumbuye n'inyigisho z'imyuga

Ku mashure nshingiro 830 yari akenewe mu mwaka urangiye, igihugu cubatsemwo 117 gifashijwemo na UNICEF. Ivyo vyashikirijwe n'Umushikiranganji ajejwe amashure matomato, ayisumbuye n'inyigisho z'imyuga. Umushikiranganji Janvière NDIRAHISHA yari mu nama nshingamateka aho yishura ibibazo vyunganirwa. Yarasiguye ko mu buryo bw'amahera bwagenewe ubwo bushikiranganji ata mahera yateguwe kugira ngo hubakwe amashure. Kuri iyo mvo, yaciye asaba abashingamateka ko boduza uburyo bwagenewe ubushikiranganji bw' amashure matomato, ayisumbuye n'inyigisho z'imyuga.



Abashingamateka bari babanje gukurikirana icegeranyo c'ivyavuye mu rugendo abashingamateka bari mu murwi wamaho ujejwe inyigisho, urwaruka, inkino no kwinezereza, imicokamama n'ukumenyesha amakuru bari bagize mu gihugu cose kugira ngo bibonere ingene umwaka w'ishure watanguye n'ingaruka z'ishirwaho ry'amategeko mashasha mu mashure y'intango, ayisumbuye n'ay'imyuga.

Icegeranyo c'ivyashikirijwe nticahumuriza! Ivyo dufatiye ku cirwa cashikirijwe n'Umushingamateka Gloriose NIMENYA. Ibirasi abanyeshure bigiramwo biruzuye no ku bunwa ku buryo intebe abanyeshure bicarako zabaye inkehwa. Yafatiye akarorero kw'ishure nshingiro rya Mirango ya mbere mu kamenge mu gisagara ca Bujumbura, aho abanyeshure bicara hasi n'ishure nshingiro rya Mukungu ya kabiri i Nyanza Lac mu ntara ya Makamba aho abanyeshure bicara ku mabuye. Hejuru y'ubwinshi bw'abanyeshure, hari ibindi bibazo nk'ubukene bw'abigisha haba mu gitigiri canke mu kubura ababinonosoye, ubukene bw'ibikoresho vy'abigisha nk'akarorero igitabo c'umwigisha gisangirwa n'ibirasi bibiri, ubukene bw'ibikoresho vy'ishure nk'akarorero igitabu kimwe gusa gisangirwa n'abana 60.

Kubera ivyo vyose, abashingamateka barasavye ko hoba inama rukokoma y'inyigisho. Umushikiranganji Janvière NDIRAHISHA yarahumurije ko uyo ari umugambi uriko utegurwa n'ubushikiranganji arongoye. Yongera agasaba intererano y'umwe umwe wese kugirango ico gikorwa kize kigende neza ivyo bibazo vyose bize bitore inyishu.

Vyongeye, amategeko mashasha mu mashure ntiyakiriwe neza n'abayashira mu ngiro. Abashingamateka baraneguye iduzwa ry'amahera y'ishure mu mashure yisumbuye y'indaro ngo rirahotora abana bava mu miryango ibayabaye baca bashima kuva mu mashure y'indaro bagasaba ishure ku mashure yegereye imihana iwabo ari navyo usanga bigabanije akanovera k'inyigisho. Barongeye baratera ivyatsi akarenganyo kagirwa mu bijanye n'ibisata. Abanyeshure bari mu gisata c'ubuhinga n'imyuga nibo baronswa ibibanza mu ndaro ako karusho ntikabone bari mu gisata c'indimi. Abashingamateka barasavye rero ko ivyo vyohagarara bagafatira ku ngingo yuzuriza bose nk'akarorero uko basumbasumbana mu manota.

Inama ya bose yarongeye iraserura amakenga bafise ku bijanye n'ingingo ubushikiranganji buherutse gufata yo kuronsa ibifungurwa amashure yose y'indaro. Ku bwabo, insiguro yatanzwe n'umushikiranganji ku

bijanye n'ukurenza urugero mu kuduza ibiciro ngo ntihagije. Ngo ikibazo ahubwo gihagaze mu kuriha batevyye ivyo batoye kubasanzwe babaronsa ivyo bifungurwa. Ngo kugira ngo ivyo bihagarare, Ubushikiranganji bwategerezwa kuriha mu maguru masha amadeni yose bufitiye abadandaza batanze ibifungurwa ku mashure. Ngo vyoba vyiza kandi imbere yo kugura bobanza kwumvikana ku biciro bibayabaye.

Abashingamateka barasavye kandi ko isoko ry'ibifungurwa mu mashure y'indaro yokwugurirwa bose ku mugaragaro. Ariko rero barakebura ko namba ishure riri mu karere aho ibifungurwa barondera kugura birwiriye, ngo abadandaza b'ako karere nibo boshirwa imbere, ivyo birafasha guteza imbere ako karere. Vyongeye, inama ya bose yarateye intege wa mugambi wo gufungurira kw'ishure abanyeshure biga bataha kuko vyabonetse ko wabaye ngirakamaro nubwo Leta itakibiserukamwo.

Mu gihe bamwe mu bashingamateka bari bashigikiye politike yo kugabanya imvyaro kugira ngo abana baronswe inyigisho z'akanovera, abandi barerekanye ingene ubwo bwinshi bwozana akarusho na burya hari ibihugu bifise ingorane zo kugira abantu bake mu bihugu vyabo.
Amashure y'imyuga yo arafise ingorane ikomeye yo kubura ibikoresho vy'ishure mu gihe ivyo bikoresho nyene vy'ishure ari umurengera mu bubiko bw'ishure ry'imyuga ryo mu Kigobe ryubatswe biciye mu masezerano hagati y'igihugu c'Ubushinwa n'igihugu c'Uburundi. Inama ya bose isaba ko boraba uko ivyo bitabo vyosangirwa na bose.

**Christine NAHIMANA**

## Ibibazo vyunganiwe ku Bashikiranganji babiri.



Bwa buryo bungana n'imiriyoni 500 Leta ironsa amakomine uko umwaka utashe, ngo burakwiye kugira musitanteri wese aronke umuduga w'akazi, nk'uko vyemejwe ku munsi wa kabiri, igenekerezo rya 15 Nzero 2019 n'Umushikiranganji w'intwaro yo hagati, Iterambere ry'amakomine ,Inyigisho zo gukundisha igihugu. Pascal BARANDAGIYE abona ko intambamyi iriho ari ubukene bw'amafaranga y'agaciro. Ahimiriza kandi ko amakomine yokoresha ikigega asanganywe kugira arihire itike abo bategetsi. Bari kumwe n'Umushikiranganji w'Ibidukikije, Uburimyi n'Ubworozi, bompi bariko barishura ku bibazo vyunganiwe. Abashingamateka babibajije inyuma y'urugendo rw'umurwi ujejwe Uburimyi, Ubworozi, Ibidukikije, Iterambere ry'amakomine n'Ibikorwa vya Leta. Intumbero yari ukugenzura ico ubwo buryo bufasha mw'iterambere rya komine.

Abahinga mu bwubatsi bahawe akazi kugira bakurikiranire hafi inyubakwa ngo ntibarabwa ryiza na bamwe bamwe mubasitanteri kuko bababona nk'abakeba. Abashingamateka basaba kandi ko abo bakozi bohembwa na Komine.

Naho biri uko, Umushikiranganji Pascal BARANDAGIYE yamenyesheje ko hari amakomine yakiranye urweze abo bahinga basanzwe bagengwa n'Ubushikiranganji bw'Abakozi ba Leta. Niba naho komine yiyemeje kubahemba, ngo aho ni amarame. Yamara ngo ntabuze impungenge ko hari amakomine atazobishobora.
Kuboba bipfuza ko ubwo buryo bwokongerezwa, Umushikiranganji

ajejwe Intwaro yo hagati, Iterambere ry'amakomine n'Inyigisho zo gukundisha igihugu yoshima ko hobanza kuba icigwa cerekana ico uburyo buhasanzwe bwamaze. Mu gihe inama ya bose yasavye ko uburyo bwotangwa hakurikijwe igitigiri c'ababa mw'ikomine, Umushikiranganji ajejwe Intwaro yo hagati mu gihugu yipfuza ko amakomine yo mu gisagara ca Bujumbura yokwitabwaho gusumba mu gihe asanzwe abamwo ibishomeri vyinshi. Abashingamateka barabajije kandi ko atakuntu hojaho ibwirizwa rigenga ibikorwa vy'iterambere rusangi.

Kubw'Umushikiranganji Pascal BARANDAGIYE, intumbero isanzwe iriho. Yasiguye ko iminsi ya gatandatu itatu kuri ine yategekanijwe buri kwezi, yahariwe ibikorwa vy'iterambere mu gihe umunsi umwe w'agatandatu wagenewe isuku. Ariko ngo iciboneza, ni uko abajejwe intwaro bahimiriza gusa abenegihugu iyo hari umutegetsi azokwifatanya nabo muri ivyo bikorwa ; ngo naho nyene ntibababwira kwizanira ibikoresho. Ni naho yaboneyeho guhanura abajejwe intwaro gutunganya ivyo bikorwa rusangi izone kw'i zone, hako abantu bakoranira ahantu hamwe kandi batariko barakora.

Inama ya bose yarashikirije umwitwarariko ufise wo kubona umwenegihugu muto muto atagihurumbira igiterwa c'ikawa. Bati umwenegihugu ntahimirizwa bikwiye. Basiguye ko ikigega c'Abanyekoweti n'ikigega ca STABEX batagishigikira ico gisata.

Ikindi naco ngo Leta yashize ico gisata mu minwe y'abikorera utwabo. Umurimyi rero ngo ararengerwa iyo hageze kwigurira ibikoresho, ari nayo nyendamuvano yo kudebukirwa.



Umushikiranganji w'Ibidukikije, Uburimyi n'Ubworozi yaragaragaje ahubwo inguvu Leta ishira mu gisata c'ikawa mu ntumbero yo kukinagura. Ati ubu inyungu z'igihugu ziza imbere z'inyungu z'abantu ku gahanga kabo, ivyo navyo bikaba atari ko vyamye. Déo Guide RUREMA yabandanije asigura ko Leta, iciye kw'Ibanki nkuru y'igihugu, ironsa ingurane abarimyi b'ikawa ku nyungu nkeyi. Mu gihe iyo nyungu yahora iharurwa kw'18 kw'100, ubu igeze ku mafaranga 7 kw'100. Leta kandi ngo yarahagurukiye urudandaza rwo mu kinywabi. Iyo ngingo ngo yatumye haboneka umwimbu ungana n'amatoni 170 y'ikawa idatonoye. Ikindi naco, ngo mu ntumbero yo gutera intege umurimyi, Leta yarongereje igiciro ku kiro c'ikawa idatonoye, aho cavuye ku mafaranga 320 kija ku mafaranga 500, mbere hari naho gishikana amafaranga 600. Vyongeye, Leta ngo iragurisha imfumbire y'ikizungu ku murimyi ku giciro kitavuna. Ikindi naco, Leta ngo yarafatiye imigambi abaheraniye abarimyi, ibashengeza muri ya sentare ijejwe kurwanya ibiturire. Mu gusozera, ngo Ubushikiranganji bwiyemeje guherekeza umurimyi w'ikawa mu murima wiwe.

Inama ya bose n'Umushikiranganji Déo Guide RUREMA barahurije ku ciyumviro co kugwiza imbuto z'ikirundi bakinuba za mbuto zihinguye mu gihe n'amakungu asigaye aziyamiriza. Uwo Mushikiranganji yarongeye arahumuriza ku bijanye n'umwavu uvanze ko mwene uyo mwavu udatitura isi ndimwa.

**Christine NAHIMANA**


# INAMA NSHINGAMATEKA

**UMUKURU W' IYANDIKIRO**
**Providence NIKIZA**

**ABANDITSI**
**Clarette INAMAHORO**
**Arlette AKIMANA**
**Pétronie BUCUMI**
**J Baptiste Claude NIJIMBERE**
**Christine NAHIMANA**

**AMASANAMU**
**J Baptiste Claude NIJIMBERE**
**Richard NDAYISENGA**
**Malikonge MWAMI**

**Palais des Congrès de Kigobe**
B.P 120 Bujumbura - Burundi Tél: (+257) 22 26 70 55 / (+257) 22 26 70 07